CONFERENCE
DES EVEQUES CATHOLIQUES
DU BURUNDI

Secrétariat Général

INYIGISHO Y'INAMA Y'ABEPISKOPI GATOLIKA B'I BURUNDI YUGURURA YUBILE Y'IMYAKA 2025 Y'EKLEZIYA

« UMWIZERO NTUTETEREZA » (ABANYAROMA 5, 5).

Bavukanyi dusangiye ukwemera, namwe mwese Imana ikunda mukayikundira,

Twebwe Abungere banyu, tuzanywe uyu musi no kubamenyesha ko Umuvyeyi wacu Papa yatwibukije guhimbaza Yubile y'imyaka 2025, Ekleziya ya Yezu Kristu, ishashe kw'isi yose, imaze. Turabipfurije rero Yubile nziza, ibahe gushinga imizi muri Kristu We Mizero yacu.

Kugira ngo dushobore kuzoyihimbaza neza, nimudukundire, tubibutse Yubile ico ari co, tubabwire iyi twimirije ingene izogenda, dushime ivyiza idusanzemwo bikomeza ukwizigira kwacu, tunegure ibibi bidindiza uko kwizigira, duheze twigire inama y'ingene twoyihimbaza, ngo turushirizeho kuba umunyu n'umuco w'isi, turi abasangirarugendo kubw'ukwizigira.

I. Dutegere neza Yubile ico ari co.

1. Ijambo Yubile rivuye mw'ijambo ry'igihebreyi "Iyoberi"risigura ihembe ry'impfizi y'intama ryakoreshwa mu kuvuza inzamba y'akanyamuneza yatumirira igihugu c'Isirayeri guhimbaza imyaka mirongo itanu. Babigira bisunga ivyanditswe mu gitabo ca Bene Levi ngo: «*Uzoharura amasabato indwi y'imyaka indwi kugwiza n'indwi. Imisi y'ayo masabato indwi y'imyaka indwi izongana kuri wewe n'imyaka mirongo ine n'icenda. Ukwezi kugira indwi, igenekerezo ry'icumi, uzovuza inzamba y'akanyamuneza ku musi w'Ikigongwe, muzovuza inzamba mu gihugu cose. Umwaka ugira mirongo itanu muzowugira mweranda hanyuma mutangaze umwidegemvyo mu gihugu ku bakibamwo bose* » (Bene Levi 25, 8-10). Uyo mwaka mweranda w'umwidegemvyo ni wo Yezu avuga ko yarungitswe kumenyesha (raba Luka 4, 18-19). Uyo mwaka mweranda w'umwidegemvyo, ari wo mwaka wa Yubile, watanguye rero uhimbazwa uko imyaka mirongo itanu iheze. Mugabo mu mwaka 1470, Papa Paulo wa kabiri yarashinze ko wohimbazwa uko kose imyaka mirongo ibiri n'itanu iheze. Iyo ngingo ni yo, n'ubu, Ekleziya yisunga.